Ntibirekuwe ko umuntu yigeramira eka ntibinarekuwe ko ageramira uwundi

Mu vyakiriwe na Se wa Sa'iid mwene Maaliki mwene Sinaani Al-Khudriy (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Ntibirekuwe ko umuntu yigeramira eka ntibinarekuwe ko ageramira uwundi".

[حسن] [رواه ابن ماجه والدارقطني وغيرهما مسندًا]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye ko ari ngombwa gukinga ibibangamira abantu, mu moko yavyo yose, iyo vyozanana hose, maze umuntu akavyikingira akanabikingira abandi, burya nta muntu n'umwe arekuriwe kwibangamira canke kubangamira abandi. Ntibinarekuwe ko umuntu agera ingere ku yindi iyo hagize uwumugeramira; kuko ikibangamye ntigikurwaho n'ikindi kibangamye kiretse iyo ari mu ntumbero yo kwihora ata kurenza urugero ku vyo umuntu yakorewe.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/66531